Ijambo Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye ashikirije ku musi wo kuganduka kuri Nyakwigendera Petero Nkurunziza, no gutanguza icese Umusi Mukuru wo Kuzirikana no Gukundisha Igihugu Abarundi

Gitega, ku wa 8 Ruheshi 2021

➢ Bubahwa Mwese Mukoraniye Ngaha, umwe wese mw'Iteka yatewe n'Imana Mushoboravyose,
➢ Muryango wa Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA, twabuze tutanse,
➢ Ncuti, Bagenzi,

1. Uyu musi wa munani Ruheshi, ni umusi udasanzwe kuko niho dutanguye guhimbaza Umusi wahariwe Ukuzirikana no gukunda igihugu twongera dusozera ikigandaro twagiriye umukunzi wacu, Umuvyeyi, Sogokuru, akaba yahoze ari n'Umukuru w'Igihugu, Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA.

Munkundire rero dukengurukire Imana ubwa mbere yo yaturinze, ikaturemesha, tugashika kuri uno musi, muri kino kibanza turi bazima.Nihabwe icubahiro.

Munkundire kandi nshimire Abarundi bagumije umutima igihe twabura Sogokuru wacu, bakaguma bafatanye mun nda

Ndashimira kandi bimwe bivuye ku mutima, Ababanyi, incuti n'abagenzi, ibihugu bibanyi vyatugumye hafi mu bihe bitari vyoroshe, n'ubu baje kubandanya kudufasha uru rubanza, Icegera c'umukuru w'igihugu ca Tanzaniya, Philip Mpango n'intumwa idasanzwe y'Umukuru w'igihugu c'Ubuganda, Adonia Ayebare

2. Nk'uyu musi kw'igenekerezo rya 08 Ruheshi mwakuyu, niho Imana yiyegereza Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA. Sindabikekeranya, nk'uko twumvirije intahe Abarundi benshi mamushingira, uwubabajwe n'ivyo yakoreye Uburundi n'Abarundi, ni umwe yiziziwe na sekibi gusa; ata kindi kimuraza ishinga atari ikibi.
Twebwe rero nk'abemera Imana, uno musi koba akanyamuneza ko kumushikana mw'ijuru kuri twebwe abana b'abantu. Nayo ahandi hoho ntidukekeranya ko yamaze kuhashika.

None rero muri ivyo vyizigiro, nagira nsabe muvyaguruke tumare umwanya mu gacerere twibuka Sogokuru wacu ivyiza yasize akoreye Uburundi n'Abarundi.

(TUMWIPFURIJE UBURUHUKIRO BUDAHERA).

➢ Banyakwubahwa mwese mwaje kuri uru rubanza,

3. Umuhisi Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA, Imana yari yaramuduhaye, imuduhako imigisha n'ingabirano bidasanzwe tutovuga ngo duheze.
Ico Abarundi batazibagira ni uko yabaye Umuvyeyi wa twese, ivyo bikazodufasha natwe guhonyora mu makanda yiwe mu gusasagaza urukundo mu bonse rimwe, kwitanga mu gukorera Igihugu, gukomeza ubumwe n'amahoro, gusangira ivy'igihugu ata wandya wangura, nk'uko atahengeshanya kubitwigisha.

Tugize ivyo, niho vy'ukuri tuzoba tumuteye iteka.

➢ Bubahwa Mwese Mukoraniye Ngaha,
➢ Muryango Ncuti, Bagenzi,

4. Kuvuga amateka ya nyakwigendera imboneza mu gukunda no gukundisha igihugu catwibarutse Petero NKURUNZIZA coba ikiyago c'abagenya uburo tutohereza ngaha uyu musi kuko Imana yari yaramuhezagije impano nyinshi.
Jewe nagize amahigwe yo kumumenya umwanya utari muto, (ivyo ari vyo vyose, kuva ndamumenye umwana yavutse ico gihe ubu ageze mu bigero, haraheze imyaka 28 tuzinanyi), yari umuntu adasanzwe.

5. Igihe amagume yatangura, mu 1993, aho abo banganya ubuzi n'amashure bahisemwo kuyanyaga bagafata inzira y'ubuhungiro, we yahisemwo kugorerwa hamwe n'abenegihugu, araheza aja ku rugamba kwifatanya n'abandi Barundi benshi kugwanira Demokarasi n'agateka ka zina Murundi wese.

6. Jewe kuva aho ndamumenyeye, mbere imbere y'urwo rugamba twasangiye, namubonyemwo ubutwari, ubwira, ugukunda ineza y'igihugu na beneco no kwemera kucitangira.
Umutima w'impuhwe n'ikigongwe, ubuntu n'ubuvyeyi bidasanzwe vyabonekera mu nyifato yiwe no mu mpanuro yaha bamwe n'abandi, mbere arahava atazirwa Muhuza. Ivyo ni vyo vyatumye agenda arizerwa mu mabanga atandukanye gushika mbere n'aho Abarundi bamwizigira ngo ababere indongozi ibushitse.

7. Mu biganiro, Petero NKURUNZIZA ni we wenyene mu banyeporitike yashoboye kwerekana inzira y'ukuri ishobora gushikana Uburundi ku mahoro arama: yariyamirije amagaburanyama, amenyesha abanyeporitike ko igikenewe mu Burundi ari amahoro na Demokarasi kugira abenegihugu abe ari bo bahabwa uburenganzira bwo kwitorera ababarongora.
Mbere ivyo vyaratangaje abatari bake mu barorerezi b'ibiganiro vyari vyatunganijwe hagati y'Abarundi.
Ndibuka ko uwari icegera c'umukuru w'igihugu ca Afrika y'epfo Yakobo Zuma, yavuze ati: "Maze kuvugana n'abanyeporitike bose b'Abarundi, aho abandi bivugira, bakavugira ubwoko bwabo, baheza bakavugira intara zabo, ngiye nabona abavugira Abarundi".

No mu mwaka wa 2014, aho abanyepolitike bariko barambika ibara igihugu ngo hariko hategurwa ihonyabwoko President Zuma yarabinsubiriyemwo, mbere ambwira ko yahumurije n'umunyamabanga mukuru wa ONU ko igihe cose hazoba hari ku butegetsi CNDD-FDD ata honyabwoko rishoboka.
Kandi namwe murabizi ko mu Burundi atahonyabwoko rigishoboka kubera ubu twategereye ko baducanishijemwo twari bamwe kandi ko ata ntwaro z'amacakubiri Abarundi bacemera.

➢ Bubahwa Mwese Mukoraniye Ngaha,
➢ Muryango Ncuti, Bagenzi,

8. Mu mwaka w'2005 niho Abarundi bamwizera, baciye ku babaserukira, bamushinga amabanga atari amenyereye yo kurongora Uburundi. Mbere benshi bavuga ko atavyo azoshobora, bavuga ngo nta burambe abifisemwo.
Dusubije amaso inyuma tukaraba, yatoranye igihugu cazingamitswe n'amacakubiri y'ubwoko bwose kuko umwe wese kwari ukwihahira.
Igihugu cari cariziziwe n'ubwicanyi hamwe n'indyane mu bonse rimwe kuko atacamira ikindi.
Uburundi yatoranye bwarangwa n'ibiturire, ubunyonyezi butagira izina, aka mwana wa mama na mpinga yanje.
Nta mwenegihugu yari igifise umwizero mu burongozi kuko inzego zose zari zarabunzwe mu bisata vyazo nka vyose.
Nta kindi yari guherako atari ukugarukana umwizero mu mitima y'Abarundi. Icatangura kukaba kwari ukwubaka inzego z'umutekano zubahiriza bose, gushinga intwaro ishoboye guhagararira ineza y'abenegihugu bose no gukora ibishoboka kugira igihugu gisubirane iteka mu makungu.
Muri make inzira ya mbere kwari ukunagura Igihugu c'Uburundi kugira ngo gise n'ibindi, gisubirane itoto. Kandi murumva ko kugisanura bitari vyoroshe kuko kwari ugusanura ibijanye no kwunga imitima mu gusubiza hamwe Abarundi.
Muri iyo ntumbero, yaharanira ko Abarundi bagira uburenganzira bungana mu gusangizwa amabanga yo kurongora abandi.
Muri uko kungana, ndibuka igihe yagena mu mabanga abava mu migambwe itandukanye mbere n'abo mu mashirahamwe yigenga, imigambwe Frodebu na Uprona bakamuburanya ngo yatanze ivyicaro vyabo. Kandi yaratsinzwe kuko twari mu gihe c'amagaburanyama.

9. Mbere rero, igitangaje, yarerekanye umutima wo kwizera abamwanka, ashira mu mabanga abamuciriye urubanza rwa ngondagonde rwo gupfa, yaba uwaruciye canke umushikirizamanza yamushengeje.

10. Petero NKURUNZIZA, yarashoboye gutora inzira irashe yo guhuza abantu ku bikorwa kugira basubize hamwe, gurtyo bubakira hamwe kugira baronke ikibahuza kandi ngirakamaro kuri bose.
Kare wamengo Abarundi bajejwe kwisamburirako nk'intungwa kuko atari ivyo baba bubatse. Wewe yari yabonye ko imvo y'indyane ari uko Abarundi bari basigaye babona ko ataco basangiye mbere ko ata n'ico bamariraniye. Ariko bamaze gusangira ikivi, niho babonye ico bari barahomvye.

11. Umuhisi Petero NKURUNZIZA, Abarundi bazokwama bamwibuka nk'uwagarukanye umwizero hagati y'uburongozi n'abenegihugu.
Yaragwanye rugabo kugira demokarasi ntisubire inyuma. Muribuka ko igihe cose haba hegereje amatora canke aheze, haca haduka abanyeporitike bahungabanya umutekano w'Igihugu, bashaka gutoba amatora.
Niho yasanga vyose biva ku mvo z'uko twama duteze amashi abanyamahanga ngo babe ari bo badutunganiriza amatora. Niho yaca akebura Abarundi, atwigisha gusezerera kuzera inze mu gutunganya ivy'Igihugu, ashikana igihugu ku ntwaro ya Demokarasi y'ukuri yaharaniwe kuva Uburundi bwikukira.

12. Petero NKURUNZIZA, yarigishije ubuntu mu bantu mu kubereka ko hari iyaturemye, isumba vyose, kandi ari yo iturinda imisi yose. Gutyo bituma Abarundi bose babona uruhara rwabo imbere y'Imana, mbere baravyiyemereza mw'ibwirizwa nshingiro bo nyene bitunganirije mu biganiro vyabo.
13. Yarerekanye akarorero mu gukunda igihugu n'abenegihugu, aravuga ati: "Nzogwa mu banje".

Yaranse guhera inyuma y'Igihugu igihe abansi b'Uburundi batembagaza inzego mu mwaka w'2015, mbere aca atanguza inyigisho zo kuzirikana no gukunda igihugu kuko yari yabonye ko Abarundi batari bwibonemwo Uburundi kubera amabi babuboneyemwo.
14. Umuhisi Sogokuru wacu yarashikanye Uburundi ku ntwaro abenegihugu bo nyene bishiriyeho, mu gutora Ibwirizwa Shingiro ritunganya iringanizwa ry'intwaro n'ishigwa mu ngiro ry'ibikorwa vy'Igihugu, vyose bifatiye kw'ishaka ry'abenegihugu.

15. Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA yari umuntu w'ishaka, akunda ibikorwa akabikundisha n'abandi. Yari yaratahuye ko uwushaka umuce acika ijoro kandi ko uwushaka umubira abira akuya. Yaratanze akarorero ko umukozi nya mukozi ataryamira, akazinduka cane ku mirimo yiwe ya misi yose, kugira ngo aronke umwanya wo kuja kuremesha abenegihugu ku kivi.
Kubera yatonda agaturuturu abandi bataravyuka, hanyuma agaca aja gusangira ikivi n'abenegihugu hamaze guca; bamwe bavuga ngo akazi k'ibwami kica uwicaye baratevye baridodomba ngo ntiyerekwa intebe; naho ari uko bavyuka yagiye mu benegihugu.

16. Ya mvugo abenshi bakunda gukoresha ngo: "Uwukize akira iwabo", Nyenicubahiro NKURUNZIZA yarayihinduye avuga ati: "Uwukize akiza iwabo", maze yigisha Abarundi gukunda intara, ikomine n'imitumba bavukako, aranashinga n'umusi mukuru w'amakomine, aho indongozi zisubira iwabo gusangira ijambo n'abababoneye izuba n'abo barukanye basigaye mu mihana.

17. Umuhisi Petero NKURUNZIZA amaze kwerekwa ikimenyetso c'urumuri rw'amahoro mu mwaka w'2006, yaciye aja imbere Abarundi, maze urwo rumuri rumubera umuco uboneshereza Abarundi ibikorwa bitandukanye vy'iterambere ry'Igihugu.

➢ Bubahwa Mwese Mukoraniye Ngaha,

➢ Muryango, Ncuti, Bagenzi,

18. Twihweje ivyakozwe mu kiringo Imboneza Petero NKURUNZIZA yarongoye Igihugu c'Uburundi, none Abarundi bose, abato n'abakuze boba bamusigaranyeko iki bazokwama bamwibukirako?

➢ Yaribukije Abarundi gusenga, guha Imana icubahiro n'ikibanza cayo ca mbere nk'uko vyamye kuva kera na rindi mu Burundi.
Ni we yubahuye indongozi z'Uburundi gushingira Imana intahe y'ukwemera kwabo, ku mugaragaro kandi ahuriza hamwe amadini yose mu gisabisho c'Igihugu.

Iyo ntambwe turazi ko itazosubira inyuma kuko yadusigaranye n'umushinge wo kuguma duhembera isezerano twasezeraniye Imana ko ari yo nsa ifise ikibanza ca mbere mu gihugu.

➢ Imboneza Nyenicubahiro Petero NKURUNZIZA tumwita kandi Sogokuru wacu kuko ni we Mukuru w'igihugu wa mbere yagiye asigiye Abarundi samuragwa kandi akemerwa na bose. Ico ni ikimenyetso gikomeye mw'iherekanwa ry'intahe y'igihugu ata gikenye kigiyemwo.

➢ Nyenicubahiro umuhisi NKURUNZIZA yitavye Imana adusigiye Igihugu kigeze heza cane, amahoro n'umutekano bitsimbataye, Abarundi bamaze gutahura ko Uburundi ari igihugu c'Abarundi, ko Abarundi ari bo bene Igihugu kandi bagize umuryango umwe.

➢ Yadusigiye Ibwirizwa Shingiro rishingiye ku mico n'imigenzo y'Abarundi mu bijanye no gutunganya intwaro y'Igihugu n'inzira yo gusukurira abenegihugu. Ahasigaye ni ahacu kuvyifatamwo neza.

➢ Bubahwa Mwese Mukoraniye Ngaha,
➢ Muryango Ncuti, Bagenzi?

19. Twagira ngo dufate kano kanya, twibutse Abarundi ko gutera iteka Umuhisi wacu Nkurunziza ari ukuzigama amabanga yiwe:
Ubwa mbere ni ukugumya isezerano twasezeraniye Imana ko ari yo nsa tuzokorera ngaha mu gihugu cacu. Ivyo dukora vyose twame dufise ku muzirikanyi ko Kizigenza ari Imana kandi ko ari Mushoboravyose, twoye kwihebura.

Ubwa kabiri, Umurundi wese amenye kuzigama ibanga ry'Igihugu, tukibungabunge kugira ntikize gisubire kugwa mw'isanganya. N'abakirota guhungabanya umutekano w'abandi, ni bateshwe bate kuko uwubundabunda abonwa n'uwuhagaze, Imana iracacungereye Uburundi, gutera umudugararo mu gihugu ni ukwisuka ivu mu maso.

Ubwa gatatu, tumenye ko yadusigiye Uburundi buri mu nzira nziza yo gusubiza hamwe, ni co gituma tudafise uburenganzira bwo kuguma tuboshwe na ya shetani y'amacakubiri yari yaratwiziziye. Twiyambure ako kahise kabi, dukomeze ubumwe n'urukundo mu gihugu. Abarundi turi umuryango umwe wa Sebarundi, kuba dufise ibisata nk'abisarayeri nico kituranga

Ubwa kane, ntitwoba tugumije iragi ryiwe tudakomeje wa mugambi wo kugwanya ubukene kuko umukene ntawutamukengera. Dukore kuko aharaye inzara hazinduka inzigo, twirinde gusega kuko niho hava urwanko kanatsinada umusezi yanka uwundi.

20. Ubwa nyuma ariko ntabimaze vyose,  imbere yo kurangiza, mu kubandanya dushira mu ngiro iragi ry'Imboneza yacu Petero NKURUNZIZA, twagire dutangaze icese ko twashinze ko igenekerezo rya 8 ruheshi uko umwaka utashe, ari umusi ukomeye ku gihugu, wahariwe gukunda no gukundisha igihugu catuvyaye.
Ako kazoze karaba akaryo ko kuguma twinovora iryo ragi ryiza yadusigiye kugira ntidusubire inyuma.

➢ Bubahwa Mwese Mukoraniye Ngaha,
➢ Muryango, Ncuti, Bagenzi

21. Ni vyo! Twamwigiyeko vyinshi cane, ariko rero n'urupfu rwiwe rutubere icigwa, tumenye ko akanya gato umuntu amara kw'isi yosiga izina ryiza, agasiga umugani, nk'uko yama yabihanuye Abarundi.

Mu gihe tuzoba turiko turashitsa isemo ry'ibikorwa vyari mu migambi yiwe mu kwigaba tukigaburira, tuzoba turiko turazibira ibihengeri, tunamutera iteka na kare ngo: "Intuntu isunikwa n'intore".

22. Umuryango wiwe, turasubiye kuwuremesha, ntimwibone nk'impfuvyi n'abapfakazi, igihugu yakoreye kiracariho.
Tubemereye ko ataco tutazokora ngo tugume dufatanye mu mugongo igihe cose bizoba bikenewe.

Turabemereye bibondo ko tuzobaba hafi, tukabereka umwonga uhuma n'uwudahuma, kuko aha twese twarezwe n'abadukurira.

Abakurambere barayamaze bati: "Uruzi rurakama rukagumana izina", muraba ba NKURUNZIZA, mukurikize mwongere mugendere ingeso yabareresheje. Mukagira ibibazazaniye, muratwegera dufashanye kurondera umuti urama; ntimuze mwigungane ibigumye turi ngaha.

➢ Namwe bubahwa mwese,

23. Mu gusozera, Jewe nka Samuragwa, Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, nsubiye kwemerera Abarundi ko nzogendera mu makanda y'imboneza Petero NKURUNZIZA, mu kubandanya gukangurira Abarundi kuzirikana no gukunda igihugu, kubungabunga amahoro, umutekano no guteza imbere Uburundi, yo mpetso ya twese.
Ni muri iyo ntumbero nciye menyesha ko ngaha nyene tugiye kuhubaka ikigo kijejwe kwigisha no gukundisha igihugu cacu.

Imana ibandanye kubungabunga Abarundi n'Uburundi,

Murakoze.

Imana ibahezagire.